Imbere ya vyose twashaka gushimira Imana Mushoboravyose yo yaturinze, tukaba twashitse amahoro muri kino kibanza, tukaba tuyishimira, tuyikurira ubwatsi kuri ivyo vyose idahengeshanya gukorera Uburundi n'Abarundi. Nihabwe icubahiro.

2. Icivugo Ngenderwako c'uru ruganda ni iki : « Turi kumwe twese, duharanire inyungu z'Uburundi mu muryango wa Afirika y'Ubuseruko ». Iki civugo kikaba kigaragaza neza ko dusangiye ikivi n'ibihugu dusangiye uyu muryango, kandi ko dutegerezwa gusabikanya neza ikigega canke umwimbu w'umuryango.

3. Kukaba nkako, imvo nyamukuru yatumye twinjira mu muryango w'ibihugu bigize Afirika y'Ubuseruko kwari ukugira abenegihugu bagize ivyo bihugu bishire bizane mu karere, bagukirwe, baronke aho bashora n'aho basumira, mbere bashobore n'ukurangurira imigambi itandukanye mu bihugu bigize uwo muryango.

4. Mbega none iryo hangiro Abarundi twararishikije? Nitwaba tutarishikije vyoba vyatuvuyeko, canke vyavuye ku bo dusangiye umuryango?
Ni nde atakoze ico yategerezwa gukora?

Mbega ivyapfunditswe vyararangutse canke twayaze amasigaracicaro?

Mbega Uburundi bwoba bwarakurikije ingingo zose ngenderwako z'ishirahamwe?

Bwoba bwarabaye akarorero canke intambamyi mw'ishirahamwe?

Hokorwa iki kugira ngo Uburundi buroranirwe kandi buronke inyungu zose zishoboka mw'ishirahamwe?

5. Ng'ivyo ibibazo bike muri vyinshi, twizeye ko abahinga batumiwe gutanga ivyigwa bazoshikako bakabitangira n'inyishu.
Muzoronka kandi akaryo ko kwibaza, kubaza ibibazo no gutorera inyishu ibijanye no gushira mu ngiro imigabo n'imigambi y'ishirahamwe.

6. Mu mwanya muzomara ngaha abitavye bino bikorwa, muhamagariwe gukubitiza agatima mpembero ku ntambwe Uburundi bugezeko mu myaka 13 bumaze bwinjiye mu muryango w'ibihugu bigize Afirika y'Ubuseruko, mutibagiye ivyabugoye n'umuti wotorwa kugira ngo bifate intumbero ibereye ; hamwe n'ivyokorwa muri kazoza kugira ngo Uburundi buronke ikibanza kibubereye mw'ishirahamwe.

Banyakwubahwa mwese,
Batumire bahire ;

7. Mu myaka 13 Uburundi bumaze mw'ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko, turafise ibitari bike twokwishimira. Aha twovuga nk'ibijanye n'uruja n'uruza rw'abantu n'ibidandazwa ; ivyo bikaba bishoboka kubera ko dufise amabarabara aduhuza kandi meza.

Nta gihugu na kimwe kigize ishirahamwe umuntu atoshikamwo kubera kubura ibarabara acamwo, ico kikaba ari ico turusha ayandi mashirahamwe y'iyindi miryango y'uturere iri ku mugabane wa Afirika.

8. Muri ico gisata nyene co kwunguruza abantu n'ibintu, turashima intambwe imaze gushikwako mu gutunganya no kwubaka amabarabara, ibivuko n'amabarabara y'indarayi biciye muri wa muhora wo hagati (Corridor Central).
Birashimishije cane mbere kubona hari n'imigambi yatandukiriye n'ibindi bihugu bitari mw'ishirahamwe rya Afirika y'Ubuseruko, aha twovuga nka Zambiya na Reta Iharanira Demokarasi ya Kongo, ibihugu dusangiye ikiyaga Tanganyika.

9. Tuboneyeho akaryo ko gushimira igihugu kibanyi ca Tanzaniya kitahengeshanije kuba umubanyi mwiza. Aha tukaba dushima ingingo ico gihugu cafashe yo kutugara imbibe kubera ikiza ca Korona nk'ibindi bihugu dusangiye ishirahamwe, ivyo bikaba vyatumye tubandanya guhanahana ibidandazwa maze ubutunzi bukabandanya bwiyongera.

10. Uburundi kandi burashimishwa n'intambwe igisata c'ubutungane mw'ishirahamwe rya Afirika y'Ubuseruko rishitseko. Sentare ijejwe imanza mw'ishirahamwe yarakoze birashimwa, aho yashoboye gutunganiriza igihugu cacu mu manza zitari nke cari citwariwemwo.

Aha tuboneyeho n'akanya ko gushimira abashingwamanza b'Abarundi badahengeshanya kwerekana ubuhinga budasanzwe igihe cose bahamagariwe guhagararira inyungu z'igihugu cabibarutse.

11. Mu gisata c'indero, Uburundi buramaze gutera intambwe igaragara, ariko abitavye ibikorwa vy'uru ruganda murasabwe gufata akanya gakwiye kugira ngo mwihweze intambamyi zitera ubusumbasumbane, haba mu ndimi zikoreshwa mu kwigisha, ivyohinduka canke ivyohinyanyurwa kugira ngo imikangara n'imiyabaga yacu yame ari akarorero mw'ishirahamwe.

12. Basokuruza barayamaze bati : « Nyamwigendako ntarimira impeshi»  kandi ngo « Inyakamwe inyaga imwe». Nta nkeka ko intambwe Uburundi bumaze gushikako mw'iterambere mu myaka 13 bumaze mw'ishirahamwe rya Afirika y'Ubuseruko itari gushoboka iyo twikumira canke tukitaramura. Kuva na kera na rindi, gukorera mu kibiri biduza ikivi kandi gusenyera ku mugozi umwe, kuja inama n'ingingo, guhuza umutima n'inama, biri mu mico kama y'Abarundi.

13. Na ho biri uko, ntitwokwirengagiza intambamyi zibonekeje kandi zitaratorerwa umuti. Vyaragaragaye ko hari ubusumbasumbane ku bijanye no kuronswa akazi mw'Ishiramamwe

rya Afirika y’Ubuseruko, aho biboneka ko Abarundi badaserukiwe bikwiye. Abitavye ibikorwa muri uru ruganda mukaba musabwe guca ico kibazo irya n’ino, kugira ngo kironke inyishu irama kuko « nta mwana n’ikinono ».

Banyakwubahwa mwese,
Batumire bahire;

14. Nk’uko icivugo twafatiyeko kibivuga, dusabwa twese gukora twivuye inyuma kugira ngo twubake ishirahamwe ry’akarorero kandi ryiyubashe, rishobora guhiganwa n’ayandi mashirahamwe y’utundi turere kandi rigatahukana ikibanza gishimishije.
Kugira ngo dushike kuri iryo hangiro, Abarundi bose bakwiye kwigishwa no gusobanurirwa ibijanye n’iyinjira ry’Uburundi mw’ishirahamwe, ico Umurundi wese yoterera n’ico amategeko amwemerera.

15. Duhiriwe duhishije kuko mu karanga kabo, Abarundi barazi gukorana n’abo badasangiye ubwenegihugu kuva kera na rindi.Muribuka ko Abarundi kera baja i Manamba, baja gupagasa i Bugande, bakaja i Tanzaniya aho twarutse twumva bavuga ko Abarundi bashora ivyo kurya i Buha bagataha na bo baranguye umunyu n’ibindi vya nkenerwa. Murumva neza ko inzira atari iy’uno musi.

16. Ibikorwa vya runo ruganda bibaye haciye ikiringo c’amezi abiri hatunganijwe umwiherero wo ku rwego rwo hejuru ku rwaruka rushika amajana atandatu (600) rufise impapuro z’umutsindo zisununuye. Uwo mwiherero wahamagarira urwo rwaruka gukoresha impano Imana yaruhaye kugira rushobore kwiteza imbere no guteza imbere igihugu carwibarutse. Impanuro zavuye muri uwo mwiherero muzozifate nkama kandi muzisunge; kugira ngo tugire ico twimarira n’ico tumarira akarere.
Erega ni tumenye ko natwe mu karere dutegerezwa kugira akamaro, ntitube ba Kajekurya gusa.

17. Amasezerano agenga Ishirahamwe ry’Ibihugu vyo muri Afirika y’Ubuseruko na canecane amategeko agenga isoko rusangi ry’uwo muryango, araha ikibanza gikomeye kandi kibereye urwaruka uko ruri mu mice itandukanye biciye mu burenganzira butangwa n’ayo mategeko mu bijanye n’umwidegemvyo haba mu ruja n’uruza rw’abantu, ubuzi hamwe n’ibidandazwa.

18. Ni akandi karyo keza turonse ko guhimiriza abenegihugu bose, ata n’umwe asigaye inyuma canke ngo yigire sindabibazwa, duhereye ku rwaruka rwo Burundi bw’ejo, ngo twese tugire gwacu kandi twiteho kurusha ibijanye n’umuryango w’Ibihugu vyo muri Afirika y’Ubuseruko.

Vyongeye, Abarundi dusabwa kwimbura no guhingura ivyoshorwa mu karere no mu mahanga yakure kugira ngo igihugu kironke amafaranga mpuzamakungu.

19. Turasavye kandi ko hokwigwa ingene ibidandazwa bica mu Kiyaga Tanganyika vyokwiyongera, na canecane ko ivyigwa vy’Abahinga vyamaze kugaragaza ko gucisha

ibindandazwa mu mazi bizimbutse kandi bikingira ibidukikije. Uretse n'ivyo, mwomenya ko ikiyaga ca Tanganyika ari ibarabara ridushikana kure kuko riraduhuza n'ibarabara ry'indarayi riva mu bihugu vya Afirika y'epfo. Ntitwanjanjwe rero kw'itunga kama Imana yaduhaye, ahandi ho twoba tuyimanuje.

20. Ico twiteze ku bitavye ibikorwa ni ivyiyumviro n'intererano birashe hamwe n'impanuro ngenderwako izodushikana kw'ishirahamwe ry'akarorero. Turabasavye dushimitse ngo ntimuze mwirengagize intererano abenegihugu bashikirije mu mwaka w'2019 aho babazwa kugira ico bashikirije ku bisata bimwe bimwe vy'ishirahamwe. Muze murabe ivyagenze neza n'ivyagoranye mu mashirahamwe y'utundi turere, haba ku vyerekeye gukoresha ifaranga rimwe, n'ibindi, n'ibindi.

21. Muzove ngaha kandi mwigiriye inama y'intango nshasha, intango yo gushira mu ngiro ibimaze gupfundikwa, no gusaba ivyo mubona vyogirira akamaro Abarundi.

22. Ntitworangiza rino jambo tudakengurukiye abatunganije runo ruganda, namwe mwese mwashoboye kwitaba ibikorwa vya rwo mugahava munatanga intererano zizofasha kugira ngo umugambi ujanye n'iyinjira ry'Uburundi mw'Ishirahamwe rya Afirika y'Ubuseruko ugume utera uja imbere, abenegihugu bawuronkemwo akarusho.

23. Ni kuri iyo ngingo yo guhimiriza no gukenguruka turangirijeko, twemeza ko dutanguje icese ibikorwa vy'uruganda rwo kwirimbura ku bijanye n'aho umugambi wo kwinjira mw'ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko ugeze, twisunze icivugo nyamukuru : « Turi kumwe twese, duharanire inyungu z'Uburundi mu muryango wa Afirika y'Ubuseruko ».

Niharambe Uburundi n'Abarundi ;

Niharambe Ishirahamwe rya Afirika y'Ubuseruko ;

Imana ibahezagire ;
Murakoze.